**Bible lessons.** **Lesson 45** **THE BATLE BETWEEN THE GODS/ NINE PLAGUES**
**Exodus: 7:1-7**
**Memory verse: "Little children, keep yourselves from idols."** ***1 John 5:21***

**INTAMBARA HAGATI Y'IMANA YEHOVA N'IBIGIRWAMANA / IVYAGO ICENDA**

ICIRWA CA 68

**Kuvayo. 7:1-7**

Ijambo ryo gufata k'umutwe : « ***Bana bato, mwirinde ibigirwamana. »*** ***1 Yoh. 5:21***

I. **Intangamarara**
iki cirwa kiratwereka intambara hagati y'Imana Yehova n'ibigirwamana vy'abanyagiputa biciye mu bitangaza abakozi b'Imana yehova Mose na Aroni n'abanyamareba bariko barerekanira k'umugaragaro. Ibi Imana yaretse ko biba bitryo kugira yigishe Abanyagiputa ko hari Imana imwe ikomeye kandi ko atari Farawo narirya yafatwa nk'imana muri Egiputa yose.

**II. Imana yitaho abagizwe abaja**.

Imana ibwira Mose umugabo w'imyaka mirongo umunani ko imugize nk'imana kuri farawo. Aha vyasigura ko imuhaye ububasha buzohora butangaza Farawo. Irongera imubwira ko izokomantaza umutima wa Farawo. Aha farawo yari ahinduwe ikibuga Imana izokorerako Ibimenyetso.

Vyari bigoye ko Abanyagiputa bemera ko mu Baheburayo hobonekamwo umuntu w'ikimazi. Kuko babona ko ata Mana yonabiyemeza kubw' abukene , kuba mu buja, bamerewe nabi, batagira n'aho baba, bari abo kwica rubi gusa.

Uku niko abenshi iyo babonye baronse udufaranga duke canke bakiga udushuri kanaka, badatangwa no kwiyumvira ko abakene ata Mana ibazi canke ngo nyoba ibitayeho. Bakabasuzugura mu kubasohora mu mazu yabo babapangiye canke bababakorera ntibababahembe kuko baba babona atacobavugira boronka. Ariko, Imana yitayeho bene abo.

**III. Abanyamareba nabo, bakora ibitangaza.**

**Umur wa 8-13**. Mose yumviye ico Imana yamusavye gukora, ariko aza abona abapfumu ba Farawo nabo barabikoze. Aba bari aba magiciens, babikoresha inguvu z'abadayimoni.

Igikomeye Imana Yehova yakoze, ni uko iyi nkoni ya Mose yaciye imira iz'abo bapfumu. Iyi yari ibaye intsinzi ikomeye. Igihe cose Satani akora igishushanyo bitagira ububasha arabiye kuvyo Imana yakoze. Yama atsindwa naho adahagarika umugambi wiwe wo kurwanya abatoranijwe. Ariko naho abikora, abakizwa barahari.

**IV. Ivyago icenda ku Banyagiputa.**

Icatumye Imana itegura ibi vyago cenda ku Banyagiputa ; kwari ukugira ibereke ko bihenze cane kwiyumvira ko abakene imbere y'abantu, baba baribagiwe n'Imana kandi ; ibemeze ko ariyo Mana kandi Umwami w'abami bose.

Icango ca mbere. : ***Amazi ahinduka amaraso***. Inzuzi, ibiyaga, Ivyo bavomye vyose bihinduka amaraso kumara imisi indwi. Ibiba mu mazi vyose birapfa. Za ngona arizo mana z'Abanyagiputa mu ruzi Nile nazo zirapfa. Abanyagiputa barumirwa kandi baragorwa cane. Imana yabanyagiputa bitwa Osiris nayo irabikora. Iyi yari ifise ishusho nk'urukiramende.

Icago ca kabiri : **Igihugu cuzura ibikere.** Bari bafise imana bita « Heka » yari imenze nk'umugore ariko umutwe umeze nk'igikere. Yari imana bayisenga kuwo wanka kugira imihindure isura ase nabi. Bikunze uwo muntu yaca asa n'igikere. Ibikere vyafatwa nk'ibihumane. Ku banyagiputa kwari nko guhumana. Farawo yashishikaye gukomantaza umutima.

Icago ca gatatu : **Hatera imibu** iyi mibu hari aho bavuga ko yari imeze nk'inda. Soma **Kuv. 8:18-19.** Babanyamareba bagerageje kubikora birabananira. Baravuga ngo : **« ibi bitewe n'urutoke rw'Imana**. » naho Satani agira ivyo akora, arafise akarimbi atarenza agaca ahagarika ; ab'Imana bakabandanya. Iri jambo bavuze, bari bemeje ko hari ubundi bushobozi buriko burakora busumba ivyabo.

Icago ca kane : **Hatera ibibugu.**

Icago ca gatanu : **Hatera akaryama** : iki cago catumye ibitungwa vyose bipfa cafatira mu mavi y'ibitungwa. Ibi vyababaje cane abanyagiputa kuko barasenga imana z'ibitungwa nk'inka, intama. Babona imana zabo zipfiriye rimwe. Ikindi ni uko Farawo yafatwa nka se w'inka n'ibibondo. Ntaco bari gukora. Ibi vyago ntivyigeze bigera muri Goshen ya ntara yabamwo Abaheburayo.

Icago ca gatandatu : **Hatera ibihute.**

Icago c'indwi : **Hatera urubura**

Icago c'umunani : **Hatera inzige**

Icago c'icenda : **Hacura umuzimagiza.**

**VI. Farawo ayobagiza Abaheburayo**

Farawo ntiyashaka kurekura aba yagize abaja ariko ; ivyago bimusheshereje, yaza arabajuragiza: **Kuv 8:25, 28 ; Kuv. 10:8-11; 24** aha yasa nuwubemerera ariko ari ukubajumbagiza. Uku niko na Satani adapfa kurekura umuntu ngo yidegemvye muri Kristo ahebe ivyaha vyose. Arashobora kumureka ariko, akamubohesha icaha kimwe canke bibiri. Agasenga ariko ntatinye kubesha no kubeshera abandi. Yonamureka akaba umuririmyi canke umuvugiramana ariko yamubohesheje impwemu y'ububeshi, ubusuma, inzigo, aha niho umwe wese yokwisuzuma ko yavuye muri Egiputa koko.

**VI. Gushira mu ngiro.**

Ico kumenya ni uko, iyo satani ajumbagiza umuntu, bitamutera umuruho. Ni igikorwa amenyereye cane. Yabikoze kuva k'umuntu wa mbere isi izorinda isaza akibikora kuko ntakandi kazi afise uretse guteshaguza abana b'Imana. Agomba abo azisasira k'umuhero.

Mose yaguma abikora ariko ; akobona nta nyishu biriko bitanga vuba. Yari gushobora kuvuga ngo : Mana iki gikorwa wampaye kiranduhije kandi nonabiheba. Bishika kenshi muri uru rugendo aho, ubona ivyo uriko ukora canke usengera bitagenda neza, bikagutesha umutwe kenshi. Biradusaba kugumako nka Mose gushika kw'isaha ya nyuma.